# IBIMENYESHWA:

**INGINGO IJANYE N'IKIRUHUKO C'UBURWAYI GIHEMBERWA:**

**INYANDIKO Y'AMATEGEKO Y'IGISAGARA CA PITTSBURGH IGICE CA 626**

Hisunzwe Ingingo y'Ikiruhuko c'uburwayi gihemberwa y'igisagara ca Pittsburgh ("Ingingo"), Abakoresha bategerezwa kwerekana abakozi barabwa n'iyo ngingo mu kwitwararika abakozi canke indwara y'umunyamuryango wabo, ukuvunika, canke ibijanye n'amagara y'abantu; canke mu gihe habaye ikibazo cihutirwa kijanye n'amagara canke iyo umunyamuryango afashwe n'indwara yandukira. (Raba Inyandiko y'amategeko y'igisagara ca Pittsburgh, agace ka 626.04 kugira ubone urutonde rukwiye rw'ivyemewe gukoreshwa; kandi witwararike no kuraba Ingingo n'Ivyisungwa vyemejwe kubw'ugushirwa mu ngiro kwayo ku majambo y'insiguro bijanye.)

| INCAMAKE Y'UBURENGANZIRA KU KIRUHUKO C'UBURWAYI GIHEMBERWA | | |
|---|---|---|
| UBUNINI BW'UMUKORESHA (Mu mezi cumi n'abiri (12) aheze) | Abakozi munsi ya cumi na batanu (15) | Abakozi cumi na batanu (15) canke barenga |

| | | |
|---|---|---|
| URUGERO IGIHE C'IKIRUHUKO GIHEMBERWA CIYONGERAKO HISUNZWE IYO NGINGO | Isaha 1 yo mu kiruhuko c'uburwayi ihemberwa kuri buri masaha 35 akorewe imbere mu gisagara ca Pittsburgh.<br><br>**Menya neza: Mu mwaka wa mbere inyuma y'Igenekerezo Ribereye riboneka aho hepfo, Igihe c'akaruhuko k'uburwayi gahemberwa gitegerezwa kutarenga uru rugero.** | Isaha 1 yo mu kiruhuko c'uburwayi ihemberwa kuri buri masaha 35 akorewe imbere mu gisagara ca Pittsburgh |
| AKARIMBI NTARENGWA K'IYONGEREKANA RY'UMWANYA W'AKARUHUKO K'UBURWAYI GAHEMBERWA HISUNZWE IRI TEGEKO (Menya neza: umukoresha wawe ashobora kugira itunganywa ry'akaruhuko karengeye aka.) | Nta kurenza ikiringo c'amasaha 24 mu kiruhuko c'uburwayi gihemberwa mu kirangaminsi c'Umwaka w'Akazi kiretse Umukoresha agenye igitiri kirenze.<br><br>**Menya neza: Mu mwaka wa mbere inyuma y'igenekerezo bigiriyeko mu ngiro riboneka aho hepfo, Igihe c'akaruhuko k'uburwayi gahemberwa gitegerezwa kutarenga uru rugero.** | Nta kurenza ikiringo c'amasaha mirongo ine (40) mu kiruhuko c'uburwayi gihemberwa mu kirangaminsi c'Umwaka w'Akazi kiretse Umukoresha agenye igitiri kirenze. |
| IGENEKEREZO BIGIRIYEKO MU NGIRO | Igenekerezo rya 15 Ntwarante 2020 | Igenekerezo rya 15 Ntwarante 2020 |

Kwankira abakozi basavye canke bakoresheje Igihe kitarenze icemewe n'amategeko c'Ikiruhuko c'Uburwayi Gihemberwa birabujijwe. Igihe wibaza ko amateka yawe yabangamiwe kubwo kwimwa uburenganzira bw'ugusaba canke kwongera Igihe kitarenze icemewe n'amategeko c'Ikiruhuko c'Uburwayi Gihemberwa, urarekuriwe gutanga ikirego ku Biro vy'Umukuru w'Igisagara bijejwe Uburinganire. Ukeneye kumenya vyinshi, canke gushikiriza ikirego, raba https://paidsickleave.pittsburghpa.gov.

Umunsi vyemejweko ubwa mbere: 16/12/2019

Umunsi vyemerejweko ubwa kabiri: 17/12/2019